**INAMA NKURU Y'ABASHINGANTAHE**
**CONSEIL NATIONAL DES BASHINGANTAHE**
**SECRÉTARIAT GÉNÉRAL**
**BP 413 GITEGA**

**IMBERE YA VYOSE ITWARARIKE AMAHORO Y'ABANYAGIHUGU**

**IJAMBO RISHIKIRIJWE UBURUNDI N'AMAKUNGU**

**Itangazo n° 4 / 003**

## 1. INTANGAMARARA

Ku magenekerezo ya 16, 17 na 18 Nzero, mu mwaka w'2003, Inama Nkuru y'Abashingantahe yaragize Ikoraniro ryayo rigira kane. Ryabereye i Gitega. Kandi Intara zose z'Uburundi zari zaserukiwe, ata n'imwe ivuyemwo.

## II. IVYAVUZWE, MU NCAMAKE

Inama Nkuru y'Abashingantahe yabanje kwihweza ingene Umugambi w'ukunagura intahe mu gihugu cose uriko urarangurwa. Yarashimye intambwe imaze gushikwako. Ariko yasanze hariho ibintu bikigoye: nk'ingene urwego rw'Abashingantahe rwokorana n'intwaro. Ariko cane cane yabonye hariho umubabaro mwinshi mu gihugu, kubera indwano yananiranye guhera. Yasanze kandi Abashingantahe ataco barabazwa gishemeye, ngo batange intererano yabo mu kugarukana amahoro.

Inama Nkuru y'Abashingantahe yarabonye kandi ko Abapfasoni bakwiye ikibanza gisumbirije, mu kunagura intahe n'ukurondera amahoro.

Inama Nkuru y'Abashingantahe yaciye ihindura ingingo zimwe zimwe zigenga urwego rw'Abashingantahe, kugira ngo Abapfasoni bagire ikibanza gishemeye muri urwo rwego.

Inama Nkuru y'Abashingantahe yarongeye irashima ingingo nyinshi zimaze gufatirwa abahemuka ku ntahe n'abashaka kuyiyitirira batatiwe.

Abashingantahe baribukanije ibanga ryabo. Bagirako barafashanya gutandukanya ibanga n'ibango mu buzima. Baciye basaba abategetsi kw'ubahiriza ibanga ryabo, ntihagire abasubira kurengera akarimbi abandi. Bafashanye riho, ku neza y'igihugu.

Abashingantahe bari muri iryo koraniro, barateguye Umusi w'ugukundisha Intahe Abarundi. Bashinga ko, ku rwego rw'igihugu, uzobera mu ntara ya Mwaro, kw'igenekerezo ya 22 Ruhuhuma 2003, kuko Intara ya Ngozi, yari yatowe ubwa mbere, izoba ifise urundi rubanza. No mu zindi ntara, uwo musi uzotunganywa neza, mu ntumbero y'ugukundisha Abarundi Intahe.

Barihweje, bongera baremeza integuro y'ikibanza cohabwa urwo rwego rw'Abashingantahe mw'Ibwirizwa Nshingiro ririko riraza. Iyo nteguro izoshikirizwa ababijejwe kandi haragenwe Abashingantahe bazokurikirana ico gikorwa.

## III. IJAMBO RISHIKIRIJWE N'INAMA NKURU Y'ABASHINGANTAHE

Inama Nkuru yAbashingantahe yaboneyeho kandi akaryo ko gushikiriza ijambo Uburundi n'amakungu, ku vyerekeye akaga Abarundi barimwo, n'aho nyene Amasezerano y'Amahoro ariho, ayo uguhagarika indwano mu gihugu na yo nyene aheruka gushirwako igikumu. Iryo jambo na ryo ni iri rikwirikira :

1. Inama Nkuru yAbashingantahe irashima rwose intambwe Leta n'abarwanyi ba CNDD- FDD bashitseko, igihe basezerana uguhagarika indwano, mu ntango z'ukwezi kwa Kigarama mu mwaka uheze w'2002.

2. Ayo masezerano yarahaye umwizero mwinshi Abarundi, kuko yemeza ko, ku vyega uwo murwi w'abarwanyi, ata ntureka izosubira kuvugwa mu gihugu, kuva mu kiringo c'ugusezera umwaka w'2002.

3. Inama nkuru y'Abashingantahe yarashimye agahengwe kabonetse mu mwanya muto. Ariko iragaya ubusuma, ubwicanyi n'ubundi bubisha butatevye kugaruka.

4. Noneho muri ino misi, ibintu vyunyutse. Ibitero ni vyinshi ; ubwicanyi bwimonogoje ; abanyagihugu basanzaye. Bararira, bakabura uwo bayaha. Igihugu kiri mu kaga, kubera ukudasonera Amasezerano n'ukwimenyera mu gukora inabi. Abanyagihugu nta mahoro bafise.

5. Inama nkuru y'Abashingantahe irasavye ishimitse Leta n'umuhari CNDD - FDD kuronderera Amahoro nyakuri Abanyagihugu, nkuko bavyemeranije mu masezerano. Irasaba kandi ko PALIPEHUTU - FNL yokwitaba ningoga ibiganiro vyo guhagarika indwano.

6. Kubera ko Amasezerano y'uguhagarika indwano ariho, ariko indwano yo ikaguma ibandanya, Inama Nkuru y'Abashingantahe isavye Leta gukorana ubwitonzi n'ubukerebutsi bwinshi kuko ngo uwutambana na Mukeba ntakubita urugohe. Kubera ivyo, nta wovanga ingabo z'igihugu n'abarwanyi, imirwi yose itarashira ibirwanisho hasi.

7. Inama nkuru y'Abashingantahe iriyamirije ingiro n'inyifato, zitiranya ukurya igihugu n'ukurondera. amahoro Amahoro nyakuri si ukubangukirwa kw'abapfa ubukuru. Amahoro nyakuri ni iteka n'itekane ku munyagihugu wese.

8. Inama nkuru y'Abashingantahe irasavye ishimitse ko abarwanyi bose bokwubaha abanyagihugu, bagaheba kubasahura, kubangaza, ukubica, ukubigisha ububisha n'ukubaremereza amabi.

9. Inama nkuru y'Abashingantahe isavye Leta n'Abarwanyi ko mu vyo bumvikana vyose, bokwitwararika rwose Intahe y'Ukwikukira, ubwigenge bw'Uburundi, iteka ry'Abarundi n'Amahoro y'Abanyagihugu

10. Inama Nkuru y'Abashingantahe irasavye ishimitse ko, mu kwakira inteko ziva mu mahanga, Uburundi butokwibagira ko Intahe y'Ukwikukira bwayironse ibugoye. Aho rero, abari mu biganiro bose n'abanyagihugu, bohagabira.

11. Mu gusozera, Inama Nkuru y'Abashingantahe isavye Abashingantahe, Abapfasoni, n'Abarundi bose kumera magabo mu kuremesha Abanyagihugu, mu kwitwararika abahunguka n'ukwamiza yompi inyigisho z'amacakubiri, zibandanya kugisivya.

Vyandikiwe i Gitega ku wa 18/01/2003

Patiri Adriano NTABONA

Umukuru w'Inama Nkuru y'Abashingantahe

| | | |
|---|---|---|
| Paolo MVUKIYE | Zeno MANIRAKIZA | Kasiano SIMBARE |
| Icegera | Icegera | Umunyamabanga Mukuru |

*Résumé :* Communiqué du Conseil national des Bashingantahe : Cherchons la paix avant tout

Le conseil des Bashingantahe est satisfait du pas franchi dans la réalisation de sa mission. Il constate que le calme qui commençait revenir peu à peu est perturbé par le regain de la violence. Il souhaite voir cette institution figurer dans la Constitution du Burundi, invite le gouvernement à bien accueillir les rapatriés ; les belligérants, à arrêter les hostilités

*Mots-clés :* Accords, armes, Burundi, droit , gouvernement, paix, parti, rapatriés